## Ubwirakabiri bwuzuye bwo ku wa 08 Ndamukiza, 2024

Tangura kwitegurira kuraba ubwirakabiri bwimirije i Vermont. Aho Vermont iherereye ubwirakabiri buzofata nzira yabwo mu mwaka wa 2024 bituma haba ahantu heza ho gutangarira ivyo birori kama.

Nimba uba i Vermont canke uje gutembera kugirango wirabire imbonankubone ivyo birori biboneka gake, kwemeza ko umuntu wese ashobora kuraba ubwirakabiri bw'uno mwaka neza nivyo dushira imbere.

Kw'igenekerezo rya 8 Ndamukiza 2024 isaha 8 n'iminota 14 z'umuhingamo niho hazotangura igice c'ubwirakabiri, hanyuma igihe c'isaha 9 n'iminota 26 z'umuhingamo, ubwirakabiri bwuzuye buzotera umwijima ku murango mu kirere ca Vermont, kandi buzomara iminota 3. Ivyo bintu bizobandanya nk'ubwirakabiri budakwiye gushika isaha 10 n'iminota 37 z'umuhingamo.

## Ivyerekana ubwirakabiri

Rondera ahantu ho kurabira - Menya neza ko ahantu utegekanya kurabira ubwirakabiri hatekanye, habona, horoshe, kandi hakira abashitsi. Tegekanya gushika kare, ujane ivyambarwa bisusurutse.

Integuro y'uburaro no kwiyunguruza - Amahirwe y'uburaro no gucumbika ni make; fata ikibanza co kubamwo hakiri kare. Mu gihe uri mu rugendo, nutegekanye ibarabara ryawe uzocamwo, ukoreshe ibibanza vyo kwiyunguruza kugira ngo uronke amakuru agezweho, wongere witege ko ushobora gucererwa igihe kirekire. Uzuza ibitoro mu muduga wawe imbere y'igihe, tekera amazi n'ibifungurwa mu gihe womara mw'ibarabara igihe kirekire .

Iyumvire ku bandi bantu – Abantu benshi baripfuza kuzoja i Vermont kugira ngo barabe ubwirakabiri. Witondere gusangira n'ababanyi bawe ibibanza mu cubahiro . Nube umunyabuntu kandi uhimbarwe n'ibintu bisanzwe.

Kwirikiza impanuro : Umviriza abategetsi kandi ukurikize amategeko amanitswe. Iyandikishe kugirango uronke amakuru kandi ukurikize ubutumwa buciye ku buhinga ngurukanabumenyi #VTEclipse. Suzuma amakuru y'aho iwanyu, amakuru ajanye n'impanuka z'umuriro, n'ayandi mabwiriza.

Ubahiriza ibikoko n'ibibanza kama - Ukwezi kwa Ndamukiza ni ibihe bigoye cane ku bikoko n'ibibanza kama vy'i Vermont. Amabarabara y'ibivu

azokugarwa kubera ibihe vy'ivyondo n'ibarafu. Ni mugume mu biyaya no mu bibanza vyuguruye kugira ngo mwirinde kwonona ibibanza vyo kwidagaduriramwo no guhonyanga ibiterwa. Mu gihe wohura n'ibikoko, nugume uri kure maze uve muri ako karere.

Nute imyanda mu buryo bubereye - Ibirori binini hamwe n’ibibanza vya kure birashobora gutuma gushikira imyanda hamwe n’uburyo bwo gutunganya ibintu bitoroha. Pakurura ivyo watekeye vyose, harimwo n'imicafu iyariyo yose.

**Umutekano wo kuraba**

Uburyo bwonyene bwo kwihweza izuba ritagira ubwirakabiri canke ubwirakabiri bw’igice, ni ibikoresho vyo kuyungurura imishwarara y’izuba nk' “amarori yagenewe kuraba ubwirakabiri" canke ibikoresho ngendanwa vyo kuraba izuba. Amarori y'izuba asanzwe, naho yoba yirabura cane, ntabwo akwiriye gukoreshwa mu kuraba izuba; ahubwo arungika imishwarara y'izuba myinshi kuruta uko twoba dukingiye amaso yacu.

Soma kandi ukurikize amabwiriza ayo ari yo yose yacapishijwe canke atekewe hamwe n’ako kantu kayungurura.
Niwame ugenzura abana mu gihe bariko barakoresha ivyuma vy'izuba.

Niwaba usanzwe wambara amarori y’amaso, guma uyambaye. Ambara amarori yawe y’ubwirakabiri hejuru yayo, canke ufatire imbere yayo igikoresho co kuraba.

Guma muhagaze ahantu hamwe maze mufukishe amaso yanyu amarori y’ubwirakabiri canke igikoresho canyu co kuraba izuba imbere yo kuraba izuba ryinshi. Niyo waheza kwitegereza izuba, hindukira ukure akantu kawe kayungurura - ntugakure ukiriko uraraba izuba.

Nturabe izuba ritagira ubwirakabiri canke ubwirakabiri bw’igice ukoresheje kamera itayunguruye, telesikope, icuma rugagamisha, canke ikindi gikoresho co gufasha amaso kubona neza.

Mu buryo nk'ubwo nyene, nturabe izuba ukoresheje kamera itayunguruye, telesikope, icuma rugagamisha, canke ikindi gikoresho ico ari co cose co gufasha amaso kubona neza mu gihe uriko urakoresha amarori yawe y’ubwirakabiri canke igikoresho ngendanwa co kuraba izuba imbere y'amaso yawe - imishwarara y'izuba ishobora kwonona ako kantu kayungurura maze igaca yinjira mu maso, bigatuma ukomereka cane.

Nurondere impanuro z'umuhinga mu vy'ikirere imbere yo gukoresha icuma kiyungurura imishwarara y'izuba ukoresheje kamera, telesikope, icuma rugagamisha, canke ikindi gikoresho ico ari co cose co gufasha amaso kubona neza; menya ko utwo twuma tuyungurura imishwarara y'izuba dutegerezwa kuba kwugariye imbere ya telesikope, icuma rugagamisha, kamera canke ikindi gikoresho ico ari co cose co gufasha amaso kubona neza.

*Agace kavuye muri https://eclipse.aas.org/eye-safety.

**Amakuru agezweho & Kugabisha**

Mu gihe utegekanya kuraba ubwirakabiri bwo muri 2024, ni ngombwa ko uguma ukurikirana impinduka, ibigezweho, n’amakuru yihutirwa.

Kurikirana #VTEclipse ku mbuga ngurukanabumenyi

**Amakuru yerekeye urugendo**

Mu gihe uriko uragenda i Vermont no mu micungararo yaho kuraba ubwirakabiri bwo muri 2024, ni ngombwa gukurikirana impanuro za vuba kandi zigezweho zerekeye urugendo.

Amabarabara ya Leta ya Vermont :
https://newengland511.org/region/Vermont